Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°812 01 Ndamukiza 2024

## Itangazo ry'Inama isanzwe y'Abungere b'Ekleziya y'Uburundi n'Urwanda yabereye i Bujumbura



Abo ni Abasenyeri bahurikiye mw'Ishirahamwe ry'Amanama ry'Abepisikopi Katorika y'Urwanda n'Uburundi (ACOREB)

1. Karadinale, Abungere bakuru, n'Abasenyeri bahurikiye mw'Ishirahamwe ry'Amanama y'Abepisikopi Katorika y'Urwanda n'Uburundi (ACOREB) barakoranye mu nama yabo isanzwe mu kigo citiriwe « Oasis de Paix et de Réconciation » kuva ku 18 gushika ku wa 21 Ntwarante 2024 i Bujumbura.

2. Imbere yuko Inama itangura, Nyenicubahiro

Soma ku Rup. 6

## Ibarabara ry'indarayi mu Burundi?

Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA

Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI

Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

Foto: Mélance Ndayikeze




Soma ku Rup. 5

## Ibirimwo

o Ibarabara ry'indarayi mu Burundi....................6
o Amatara n'amazi bigiye kuboneka ku banyagisagara ca Bujumbura.......7
o Uruhara rw'amashengero mu kunywanisha Abarundi....................8
o Uburenganzira bwo kudasinzikarizwa ubuzima....................10

# Idominika ya gatatu y'Ikarema: *Umwaka B*

## Igisomwa ca mbere: Ibik Vy'abat. 4,32-35

Ivyo dusoma mu gitabu c'Ibikorwa vy'Abatumwa:

(*Abakristu ba mbere bari bahuje umutima n'umushaha*)

Abari bamaze kwemera bose bari bahuje umutima n'umushaha kandi muri bo ntawagira ngo ivyo atunze ni rwiwe, vyose barabisangira riho; nuko rero abatumwa bari bafise ubukuru bwinshi mu gushingira intahe izuka ry'Umukama Yezu, kandi bagaterwa iteka ryinshi na bose.

Vyongeye muri bo nta n'umwe yari n'ico akenye. Harimwo abatunzi bafise imirima canke amazu, bakabigurisha, hanyuma bakazana ikiguzi c'ivyo bari bagurishije. Ivyo biguzi babishikiriza abatumwa, na bo bakabisabikaniriza abari aho bose, umw'umwe ibimukwiye.

## Igisomwa ca kabiri: *1 Yohani: 5, 1 -6*

Ivyo dusoma mw'ikete rya mbere ry'Umutumwa Yohani:

(*Uwemera yavutse ukundi kubw'Imana*)

Bakunzi banje:
Uwemera wese y'uko Yezu ari Kristu niwe yavyawe n'Imana, kandi uwukunda wese Imana yo muvyeyi aba akunda kandi uwavyawe na yo. Ng'iki ikimenyesha yuko dukunda abana b'Imana, nitwakunda Imana tugakora amabwirizwa yayo. Nkako nyene, ng'uru urukundo rw'Imana: ni uko twozigama amabwirizwa yayo.

Nayo amabwirizwa yayo ntaremereye, kuko icavyawe n'Imana cose gitsinda isi. Kandi iyo ntsinzi yatsinze isi ni ukwemera kwacu. None uwutsinda isi ni nde, Atari uwemera ko Yezu ari Mwana w'Imana?

Uwo Yezu Kristu niwe yaje mu mazi no mu maraso, si mu mazi yonyene, ariko ni mu mazi no mu maraso. Kandi Mutima niwe avyemeza, kuko Mutima ari we Kuri.

## nkuru nziza : Yohani 20, 19 -32

**Alleluya, Alleluya.**

*- Umukama yavuze ati: "Ewe Toma, wemeye kuko umbone. Hahiriwe abazokwemera ataco barinze kubona."*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Njili nyeranda yanditse Yohani :

*(Iminsi umunani iheze, Yezu araza)*

Ku mugoroba w'uyo munsi, ariwo mu barwa wa mbere mu ndwi, mu nzu yarimwo abigishwa, bari bakinze inzugi kugutinya Abayahudi. Niho rero Yezu yaza, agahagarara hagati muri bo, ababwira ati : « Nimugire amahoro ! »

Avuze artyo abereka ibiganza vyiwe n'urubavu rwiwe. Abatumwa ngo babone Umukama, barahimbarwa. Yongera ababwira ati : « Nimugire amahoro ! Kumwe Data yantuma, niko nanje ndabatumye. » Ababwiye ivyo, arabahuha, ati : « Nimuronke Mutima Mweranda, abo muzorekurira ibicumuro, bazoba babirekuriwe, abo muzobigumizako, bizobagumako. »

Aho Yezu yaza, Toma, umwe wo muri bamwe cumi na babiri, ariwe bita Didimo, ntiyari muri bo. Abandi bigishwa bamubwira bati : « Twabonye Umukama.» Abishura ati : « Ntiboneye mu biganza vyiwe intoboro za ya misumari, ngo nshire urutoke mu ntoboro zayo, n'urushi mu rubavu rwiwe, sinzokwemera. »

Iminsi umunani iheze, abigishwa basubira guteramira muri ya nzu, na Toma bari kumwe. Yezu araza, inzugi zugaye, ahagarara hagati muri bo, ati : «Nimugire amahoro. » Hanyuma abwira Toma ati : «Shira urutoke rwawe ngaha : ng'ibi ibiganza vyanje; zana urushi rwawe kandi rushire mu rubavu rwanje : ureke rero kuba ikigaba, ariko wemere. »

Toma amwishura ati : « Mukama wanje, Mana yanje.» Yezu nawe amusubiza ati : « Ewe Toma, wemeye kuko umbonye : hahiriwe abazokwemera ataco barinze kubona. » Hari n'ibindi bimenyetso vyinshi bitanditswe muri iki gitabu Yezu yagiriye imbere y'abigishwa biwe. Ivyo rero vyanditswe ngo mwemere ko Yezu ari Kristu Umwana w'Imana, kugira ngo muvyemeye muronke ubuzima kw'izina ryiwe.

# Tuzirikane Ijambo ry'Imana

**Hahiriwe abazokwemera ataco barinze kubona.**

Bakunzi b'Imana, turabandanya twinovora ivyiza bikomoka kw'izuka rya Yezu Kristu. Mu gisomwa ca mbere twumvise ingene abakristu ba mbere basa na Yezu, bagakora nkawe ibitangaro, bakitwararika abandi mu bikworwa vy'ikigongwe. Benshi bagatamarigwa kubera ivyo vyiza abakristu ba mbere bakora.

Yezu amaze kuzuka, yarabonekeye abatumwa biwe. Ico gihe abatumwa bari bagifise ubwoba kubera abakuru b'abayahudi, bari bishe Umwigisha wabo, bamwagirije ngo yagumuye igihugu. Bari biyugaraniye mu nzu kugutinya ko bahava babamukurikiza; kandi naho Yezu yari yarababuriye izuka ryiwe, ntibari bwategere ngo bemere ko ivyo yari yababwiye ari vyo: ko azozuka ava mu bapfuye.

Ku munsi ukurikira isabato, ku mugoroba, niho yababonekera, biyugaraniye mu nzu, akabaramutsa amahoro. Arabiyeka kugira ntibibaze ko bariko bararota, abereka ibiganza vyiwe birimwo intoboro za ya misumari, n'urubavu rwari rwasogoswe na rya cumu. Ngo bamubone, barahimbarwa. Yezu yaciye abaha ubutumwa, bumwe nyene yari yabateguriye akibigisha.

Ngo aho Yezu yaza, Toma siho yari ari. Bamubwiye ko babonye Umukama, ko yazutse, yaranse kwemera kuko nawe nyene yashaka kumwibonera kugira ashire amazinda. Yezu nawe ntiyatevye kwumvira Toma, kuko haciye iminsi umunani, yasubiye kubonekera abatumwa bari bakoraniye hamwe, na Toma yari kumwe na bo.

Yezu ati: " Ewe Toma, shira urutoke rwawe ngaha: ng'ibi ibiganza vyanje ; zana urushi rwa-we kandi rushire mu rubavu rwanje : ureke rero kuba ikigaba, ariko wemere. »

Toma ntiyarinze gukora ivyo Yezu amubwiye, kuko ivyo yari yabwiwe vyahuriranye n'ivyo wenyene yiboneye, aca aremera, aranapfukama aramusenga, avuga ati: « Mukama wanje, Mana yanje. » Yezu nawe yamubwiye ijambo rikomeye ku wemera wese, ati: « Ewe Toma, wemeye kuko umbonye: hahiriwe abazokwemera ataco barinze kubona. »

Nkako, abiboneye Yezu amaze kuzuka, ni bake, abamwemera batamubonye nibo benshi, kandi Yezu avuga ko ari bo bahiriwe.

Ariko si ukuvuga ko umuntu yopfa ivyo yemeye atabanje kuvyiyumvira canke kubitohoza neza. S'uko Toma yari yanse intahe Yezu ashingiwe n'abatumwa biwe, aho bamubwira bati twabonye Umukama Yezu ari muzima. Ahubwo yarondeye gutegera ukuruta kuko turazi ko n'imbere y'uko Yezu apfa, yari yabwiye bagenziwe ati: "Hogi tujane, tumugwe inyuma". Na twebwe twemera kuko abo bigishwa ba mbere babanye na Yezu, bakagendana nawe kuva abatizwa na Yohani Batista gushika abambwe ku musalaba.

Ibimenyetso vyerekana ko Yezu ari muzima, ni ibi twumvise mu gisomwa ca mbere: kwigishwa n'abatumwa n'ukugira ubumwe, ivyo kumanyura umukate no mu gusenga. Umuntu wese yaraterwa ubwoba n'ibitangaro n'ibimenyetso vyinshi vyagirwa n'abatumwa.

Abari bemeye baciye bahindura inyifato, ntibahengeshanya kuja kwumviriza inyigisho z'abatumwa bari bagendanye na Yezu. Mu buzima bwabo bwa minsi yose, barangwa n'urukundo rw'abavukana nyene, bagahwanira kumanyura umukate w'ubuzima Yezu yari yabasigaranye.

Barubaha Imana bakayikengurukira kubera ivyiza n'ibitangaza yagiriye abantu muri Yezu Kristu, abatumwa n'abandi bari bavyiboneye babishingira intahe. Imana yaguma ibahunda imihezagiro ikabaha n'ugukora ibitangaro. Abari bemeye izuka rya Yezu bariyumvamwo ko bagize umuryango umwe.

Mbere baragerageza gusagira ivyo bafise vyose. Hari n'abagurisha amatongo yabo n'ivyo batunze, ibivuyemwo bakabigabanganya baravye ubukene bw'umw'umwe wese.

Uko bukeye uko bwije bama bagiye mu gisengero nk'uko abayahudi babigira, bakama basangira wa mukate w'ubuzima bawumanyurira mu mazu yabo, hanyuma bagaca basangira n'i-mfungurwa aho bari bakoraniye, bari mu kanyamuneza kandi atawishira hejuru ngo hari ico arushije abandi.

Abo bakristu bambere baragendera ukwemera kwabo bakumva ko Kristu yazutse ari hagati yabo, bagaca basangira umutima nk'uko bari-basangiye ukwemera n'-ukwizigira kumwe, bakarangwa n'urukundo rw'abavukana.

*1. Abasangiye ukwemera, baritwararika gushira hamwe vyose. Mbega wewe uhora usangira n'abo muri kumwe?*

*2. Toma yemeye uyuko yabonye Yezu. Wewe wemeye Yezu utamubonye, ufatiye kubamushingiye intahe. None uko kwemera kwawe kuragutuma ushingira intahe Kristu mu batamuzi n'abadebukiwe mu kwemera?*

*3. Ibatisimu n'ukwemera Yezu ntibidukingira ibitugora aha kw'isi. Ivyo bitugora ntibituma twihebura ngo tudohoke ku rukundo. None wewe ibikubabazauvyakira nk'uwemera intsinzi ya Kristu?*

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Itangazo ry'Inama isanzwe y'Abungere b'Ekleziya y'Uburundi n'Urwanda yabereye i Bujumbura

(Bitangurira ku rup.1

Musenyeri Mukuru wa Diyoseze nkuru ya Gitega asanzwe arongoye Inama y'Abepisikopi Katolika y'Uburundi akaba ariwe arongoye muri kino gihe iryo Shirahamwe, yarahaye ikaze abo bahurikiriye mw'iryo shirahamwe mu gihe bariko barasangira inzimano. Bukeye bwaho inyuma y'Inkuka y'Imisa, yaciye atangura ibikorwa vy'ugurura iyo nama.

3. Bikuru bikuru iyo nama yari ishimikiyeko vyari ibi bikurikira:

1) Gusabikanya ku bijanye n'ivy'imibano yama Ekleziya barongoye

2) Ingene boshira mu ngiro umugambi w'amahoro mu bihugu vy'ibiyaga bini.

3) Guhanahana ivyiyumviro ku bijanye n'ivyamwa vy'inama igira cumi na gatandatu y'Abepisikopi bo kw'isi yose yabereye i Roma nico ama Ekleziya y'Urwanda n'Uburundi azoterera mu nama y'Abepisikopi izoba mu kwezi kwa Gitugutu 2024 i Roma.

4) Ingene bohimbaza umwaka wa yubile w' i 2025 muri Ekleziya Gatolika n'ingene bobaho nk'ingezi z'umwizero muri ibi bihugu bihurikiye muri "ACOREB"

5) Utuntu n'utundi.

I. Gusabikanya ku bijanye n'imibano yama Ekleziya barongoye

4. Abepisikopi b'Urwanda n'Uburundi babanje guha ikaza Nyenicubahiro Musenyeri Balthazar NTIVUGURUZWA w'i Kabgayi n'Umunyabanga mukuru w'Inama Katolika y'I Rwanga Patiri Védaste KAYISABE bari bitavye ubwa mbere ibikorwa vy'iyo nama.

Mu nyuma baciye batandukira ivyo bahurirako mu ma Ekleziya barongoye be nayo kw'isi yose.

5. Abungere barahimbawe n'minsi mpuzamakungu y'urwaruka yabereye I Lisbone muri Portugal.

Iyo minsi yabaye inkomoko yo gukundisha ama nama y'urwaruka kw'isi yose na canecane urwaruka rwo mu Rwanda no mu Burundi. Abepisikopi baripfuza gushira inguvu muri ayo mahwaniro y'urwaruka kugira bubake kazoza keza k'umuvukano.

Barahimbawe n'ivyamwa vy'ikoraniro ry'urwaruka ryabereye i Kigali ryahuje urwaruka rutari ruke rwo mu Burundi, Urwanda na RDC kuva ku magenekerezo rya 23-27 Mukakaro.

6. Muri uyu mwaka, Ekleziya y'Urwanda ihimbaza imyaka mirongo itandatu habaye imigenderanire hagati y'Urwanda n'Icicaro gi-kuru ca Papa i Vatikano, mu gihe mu Burundi bawuhimbaje mu mwaka ushize.

Hambavu y'ivyo ubuserukizi bwa Papa mu Burundi bwarubatse muri Paruwase Minago icibutso c'umuhisi Nyenicubahiro Musenyeri Michael Aidan Courtney yaserukira Papa mu Burundi yagandaguriwe muri ico kibanza mu 2003.

7. Ku bijanye n'umutekano Abepisikopi baraneguye ibitero vyakozwe n'abicanyi mu Burundi i Vugizo ku wa 23 Kigarama 2023 muri Zone Gatumba, Komine Mutimbuzi mu ntara ya Bujumbura, hamwe n'ubwabereye muri Zone Buringa, Komine Gihanga intara ya Bubanza ku magenekerezo ya 25 Ruhuma 2024 bukaba bwahitanye abantu batari bake harimwo n'abenegihugu.

Abungere bariyamirije ubwo bwicanyi biyemeza gushigikira no gufata mu mugongo imiryango y'abuze ababo. Mu gihe bari biteze inagurwa ry'imigenderanire myiza hagati y'Urwanda n'Uburundi, ibintu vyaracitse amazi kugeza aho hugarwa imbibe.

Abepisikopi baripfuza ko ibiganiro bigaruka bagasaba gushira mu buryo ivyofasha abenegihugu begereye izo mbibe ku mpande zose.

II. Ingene boshira mu ngiro umugambi w'amahoro mu bihugu vy'ibiyaga bini: ingene vyoshirwa mu ngiro mu ma Ekleziya yacu.

8. Abepisikopi bagize ishirahamwe ACOREB barahanahanye ivyiyumviro ku bijanye n'umugambi wo kurondera amahoro mu bihugu vy'ibiyaga binini bafatiye kuma nama yabahuje i Goma kuva ku wa 29-31Nzero 2024 yakurikiye iyari yabereye I Roma ku va ku wa 15-19 Gitugutu 2023.

Mu ntumbero yo gushira mu ngiro uwo mugambi Abepisikopi bahurikiye muri ACOREB biyemeje kunagura amahoro muri ako karere na canecane mu buseruko bwa RDC.

Mu kurindira ibiganiro bizoba hagati y'abakuru b'ibihugu vyako karere, hamwe n'amashirahamwe yo muri ivyo bihugu n'ayo kw'isi yose, barashize ku rutonde ibikorwa bizorangurwa mu ntumbero yo gutsimbataza ubunywanyi bw'ama Ekleziya barengeye ibibatandukanya.

Bashize imbere ugutegura iminsi y'ibisabisho vyo gusaba amahoro mu ma paruwase yose, ukugendera amakambi y'impunzi z'abarundi n'iza abanya Congo bahunze kugira babagaragarize ko Ekleziya ibari hafi, kuvukanisha ama paruwase yo mu Rwanda; Uburundi na RDC, hamwe no guhanahana abaseminari biga, abasaseredoti hamwe n'abandi barangurira ubutumwa muri Ejleziya z'ivyo bihugu.

Ibikur. urup. 12

# Ibarabara ry'indarayi mu Burundi?

Inyuma y'imyaka itari mike havugwa umugambi wo kwubaka ibarabara ry'indarayi mu Burundi, intambwe ya mbere iboneka yaraye ishitsweko: Gutera umukono ku masezerano y'imfashanyo izotangwa n'ibanki ya Afrika ijejwe iterambere. Vyabereye i Bujumbura ku wa 19 Ntwarante 2024 mu nzu y'amanama y'inyubakwa Eden Gaden iri ku nkengera y'ikiyaga tanganyika.

Foto: Mélance Ndayikeze




*Abaserukiye Reta bari kumwe n'abaserukiye Ibanka ya Afrika ijejwe iterambere (BAD)mu gikorwa co gushira umukono ku masezerano y'imfashanyo y'iyo Banki mu mugambi w'ibarabara ry'indarayi mu Burundi*

Mu ruganda rwo kurimbura ingene imfashanyo z'ibanki ya Afrika ijejwe iterambere zakoze, Reta y'Uburundi yaserukiwe n'umushikiranganji wa Mbere Gerevazi Ndirakobuca, umushikiranganji w'ikigega ca Reta hamwe n'abashikiranganji baramutswa ubushikiranganji bufise imigambi ifashwe mu mugongo n'ibanki ya Afrika ijejwe iterambere (BAD).

Ico gikorwa cahuriranye n'urugendo rw'akazi rw'umupfasoni Nnenna Nwabufo, umuyobozi mukuru w'ibanki ya Afrika ijejwe iterambere muri Afrika y'ubuseruko.

Uwo mupfasoni ajejwe ishirwa mu ngiro ry'ibikorwa biboneka no gushiraho impinduka ziboneka mw'iterambere ry'ibihugu 13 vya Afrika y'ubuseruko. Uwo muga-mbi w'ibarabara ry'indarayi uri mu gisata co kworohereza uruja n'uruza rw'ibidandazwa hamwe no kwunguruza abantu n'ibintu. Ni ibarabara rizohuza ibihugu bitatu: Republika iharanira Demokarasi ya Kongo, Uburundi na Tanzaniya, rifatiye ku kivuko c'i Dares-Salaam.

**Igice ca kabiri c'umugambi w'ibarabara ry'indarayi**

Amasezerano yashizweko umukono ni ayajanye n'igice ca kabiri c'uwo mugambi ku ruhande ruzohuza Uburundi na Tanzaniya.

Nk'uko vyashikirijwe na Audace Niyonzima, umushikiranganji w'ikigega ca Reta ari nawe yaserukiye Uburundi mu gushira umukono kuri ayo masezerano y'imfashanyo hagati y'Uburundi n'Ibanki ya Afrika ijejwe iterambere, ngo iryo barabara rizogirira akamaro kanini cane Uburundi. «Rizotuma imbonakazoza Uburundi bwihaye yo kuba igihugu c'ifashe mu mwaka w'2040 n'igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060 tuyishikako.»

Ni naryo hangiro rikuru ry'uwo mugambi: Gushitsa intumbero yo kworohereza imigenderanire hagati y'ibihugu bisangiye akarere kugira ngo uruja n'uruza rworohe, igisata c'ubudandaji gitere imbere n'abashira imitahe mu gisata co gucukura ubutare biyumve.

Tubamenyeshe ko ico gice ca kabiri co kwubaka iryo barabara kizotwara amadorari y'abanyamerika arenga imiliyoni zitatu n'ibihumbi amajana icenda na mirongo ibiri n'icenda (3 929,46 millions d'USD). Muri ayo, igice ca Tanzaniya kizokorwa ku madolari arenga imiliyoni ibihumbi bitatu n'amajana abiri n'icenda (3 209 ,27 millions d'USD), igice c'Uburundi na co bitegekanijwe ko kizokorwa ku madolari arenga gato imiliyoni amajana indwi na mirongo ibiri (720,19 millions d'USD). Uwo mugambi bitegekanijwe ko uzorangira mu mwaka w'2028

Foto: Mélance Ndayikeze




*Audace Niyonzima umushikiranganji w'ikigega ca Reta ahejeje gusinya amasezerano yo gufashanya n'ibanki BAD mu mugambi w'ndarayi mu Burundi*

**Mélance NDAYIKEZE**

# Inyigisho ya Papa Fransisiko yo ku musi mpuzamakungu wo gusabira itorwa



*“Twahamagariwe kubiba umwizero no kwubaka amahoro”*

Bavukanyi mwese,

Umusi mpuzamakungu wahariwe gusabira itorwa udutumirira, uko umwaka utashe, kwihweza ingabire idasanzwe y’umuhamagaro Umukama ashikiriza umwumwe be n’igihugu ciwe kiri ku rugendo, kugira ngo dushobore kugira rwacu umugambi wiwe w’urukundo, duteko dushingire intahe ubwiza bw’imihagaro uko itandukanye.

Ugutega yompiumuhamagaro w’Imana, naho twobitumwa n’intumbero yo kuyihebera, ntushobora gufatwa nk’itegeko rivuye hanze; ahubwo ni bwo buryo burashe bwo gukuza no kugaburira akanyota ngendanwa k’ubuhirwe kukoubuzima bwacu buronka uburiba iyo dutegereye ico turi, ingabirano dushishiriye n’aho dushobora kuzikoresha ngo zigirire akamaro bose ; iyo tuzi inzira twofata ngo dushobore kuba ikimenyesto n’igikoresho c’urukundo, mukwakira abatugana, no kugendera ubutore n’amahoro aho duherereye.

Nico gituma uyu musi wama utubera akaryo keza ko kwibukana ubukengurutsi, imbere y’Umukama, itekary’ukugumya ibanga, riranga abo bose,uko bukeye uko bwije, mu tuntu tubayabaye, tuzira urwamo, bakiriye umuhamagarobagaheba ubuzima bwabo bwose.

Ndiyumvira abo bavyeyi bose batarondera ubwambere inyungu zabo kandi ntibajane nyabahururu, mugabo bakabaho bitwararitse kuryohora imigenderanire yabo irangwa n’urukundo rutirondera, bakakira ingabire y’ubuzima ari nako bitwararika kurera no gukuza abana babo.

Ndiyumvira kandi abo bose bitanga batiziganya ari nako bazi, kandi bemera gufashanya n’abandi ; ndabona kandi n’abo bose bitanga mu bisata bitandukanye no mu buryo bwinshi kugira ngo baryohore iy’isi yacu irangwe n’ubutungane, itunganywa ry’ubutunzi ridakumira, hamwe n’i-ntwaro ibereye kugira bubake umubano mwiza. Sinokwibagira abo bose bitanga n’ishaka ryinshi ngo baterere mu neza ya bose.

Ndiyumvira abihayimana bahebera ubuzima bwabo bwose Umukama haba mu gacerere k’igisabisho, haba mu kwanzaganya mu butumwa, mbere bakanabukorera aho bahana urubibe, bakitanga batiziganya ngo bateze imbere akarangamutima kabo n’umutima ukerebukiye kwama urondera gutera imbere, batibagiye gufashisha ako karangamutima abo bahwana bose.

Ndibuka kandi n’abo bose bakiriye umuhamagaro wabo w’ubuherezankuka maze bakitangira kuranga Inkuru nziza badatinya gutanga ubuzima bwabo mu kwifatanya na Kristu yihereza mu Nkuka y’Ukaristiya, ngo bihebere bene wabo mu kubiba umwizero no mu kumenyesha bose ubwiza bw’Ubwami bw ‘Imana.

Ndiyumvira urwaruka, cane cane abo bose bumva ko bari kure y’Umuryango w’Ekleziya canke bakikumira. Nagira ndababwire nti : Nimureke Yezu abakondore, mumuture imitwaro yanyu yose cane cane ibaremereye, ari nako mwisunga Inkuru nziza, mwemere mumwakire abadurumbanye kugira ngo abatunganye.

Ni we wambere asonera rwose umwidegemvyo wacu, ku buryo atatwokera ahubwo atwinginga. Nimumuhe ikibanza kugira mwironkere ubuhirwe igihe cose muzomugendanira, maze niyabibasaba muheze mumuhebere n’ubuzima bwanyu bwose.

### *Turi igihugu kiri ku rugendo*

Ubutore bw’ubudasa bw’ingabirano n’imihamagaroumuryango w’abakristu wemeza kandi ugaherekeza, uradufasha gutegera bisumbirije akaranga kacu k’abakristu.

Turi igihugu c’Imana kiri ku rugendo, mukubeshwaho na Mutima Mweranda ngo tube amabuye mazima yubaka Umubiri wa Kristu, maze umwe wese akamera nk’urugingo rw’Umuryango wagutse w’ abana ba Data, abavukanyi hagati yabo.

Ntitumeze nk’amazinga yo mu gahinga ka nyaganade, mugabo turi ingingo zubatse umuryango. Ninaco gituma umusi mpuzamakungu wo ngusabira itorwa urangwa n’ingendo nsangizangendo.

Nkako, turafise ingabirano nyinshi za Mutima tukaba duhamagariwe kwumvirizanya no kugendera hamwe kugira ngo dufashanye kwubura ishaka rya Mutima

Ibikur. urup. 9

# Inyigisho ya Papa Fransisiko yo ku musi mpuzamakungu wo gusabira itorwa

*(Bitangurira ku rup.6)*

Mweranda ritwakurira ineza kuri bose.

Mu bihe tugezemwo, inzira turimwo ituganisha k'uguhimbaza Umwaka wa Yubiley'2025. Tuve hasi tugende tumeze nk'abakerarugendo b'umwizero tugana Umwaka mweranda, maze uko tugenda tuzirikana umuhamagaro wacu, ari nako tunywanisha ingabirano zitandukanye za Mutima, dushobore gushikiriza abantu indoto ya Yezu yo kurema umuryango umwe urangwa n'ubumwe bukomoka k'urukundo rw'Imana rwiserura mu gusabikanya no mu gukomeza umuvukano.

Uyu musi wahariwe rero kwazambira Data ngo aturonse ingabire y'imihamagaro myeranda yo kumwubakira Ubwami: "Sabe rero nyene umurima arungike abakozi benshi mu murima wiwe" ( Lk 10 , 2). Igisabisho na co turazi ko kigizwe cane cane no gutega amatwi gusumba kugwiza amajambo tubwira Imana.

Umukama ayagira Umutima wacu, nico gituma yipfuza kwama awusanga uri inda nsa, uteze nk'irembo, uzira amahinyu. Ijambo ryiwe ryarigize umuntu muri Yezu Kristu, yaje atumenyesha ishaka ryose rya Data.

Muri uyu mwaka w'-2024wahariwe gusabira integuro ya Yubile, duhamagariwe kwubura ingabirano idasanzwe yo gushobora kuyaga vyimbitse n'Imana yacu ngo bidufashe kuba bamukerarugendo b'umwizero, kuko « igisabisho ari yo nkomezi yambere y'umwizero.

Uko usenga ni ko umwizero wongerekana, nawekandi niko utera uja imbere. Igisabisho kirugururira umwango umwizero. Ni ivy'ukuri umwizero niho uba usanwe uri, mugabo mu gisabisho ndawugururira umuryango » (Catéchèse, 20 mai 2020).

***Tube bamukerarugendo b'umwizero n'abubatsi b'amahoro***

Mbega ukuba bamukerarugendo bisigura iki? Uwigiriye umugambi wo kuba mukerarugendo abanza kwibaza neza intumbero, kandi akayigumya mu bwenge no mu mutima. Mugabo kugira ngo ayishikeko ahamagariwe kwitwararika intambwe ateyeko muri k'ubu.

Ivyo bimusaba kutagira ivyo yiremereza, akiyambura ivyo vyose bidakenewe, agatekera ivyangombwa kandi a-kagumizako imisi yose kugira ngo uburuhe, ubwoba, ugukekereza n'imizimiza ntibibibangamire urugendo rwiwe.

Gutyo, ukuba bamukerarugendo bisigura kwemera kuva hasi imisi yose ata kurambirwa, twitwaje ishaka n'ingoga zo kurengera intambuko zose zikenewe mu rugendo. Nkako, naho intambamyi zitobura, biraduha gutera tuja imbere ngo twubure ibabanza n'ibintu bishasha.

Insiguro y'ubukerarugendo rukristu ni iyi: dufata urugendo tugiye kwubura urukundo rw'Imana, tukaboneraho no kurondera kwimenya bisumbirije biciye mu rugendo rw'umutima tugira dufashijwe n'ubwinshi bw'imigenderanire dupfundika.

Nico gituma rero turi bamukerarugendo kuko twahamagariwe gukunda Imana no gukundana. Gutyo uburuhe bwacu bwo kuri iyi si ntibuheranen'uburuhe butagira ihangiro canke mu kuzimagirika kudahera.

Ihi bambewe, kuko imisi yose, uko tugendera itorwa ryacu, turageregeza kutaguma hahandi kuko dutera intambwe tugana isi nshasha, irangwa n'amahoro, ubutungane n'urukundo.

Turi bamukerarugendo b'umwizero kuko tugenda tugana kazoza keza kandi tukiyemeza kukubaka mu rugendo turimwo. Ni naryo hangiro nyamukuru ry'umuhagaro wose: kuba abantu b'umwizero.

None rero nk'abantu n'imibano, mu budasa bw'ingabirano n'ubutumwa bwacu duhamagariwe gushitsa bimwe bizima umwizero w'Inkuru nziza mu bantu ba none bahanzwe n'amageragezwa menshi.

Muri ayo harimwo ukubangamirwa n'ingwano ya gatatu y'isi yose yiserura mu bice bice; hari isinzi ry'impunzi zita igihugu cabo zirondera uburaro n'uburamuko bwiza; hari umurindi w'igwirirana ry'aboro; ukubangamira bitavugwa ibidukikije. Impande y'ivyo hakaba ingorane za misi yose zishobora kudutuma twihebura canke tugatana n'akabando.

Mu bihe turimwo, ni nkenerwa ko twebwe abakristu twimenyereza kugira indabo nshasha yuzuye umwizero kugira dushobore kwamisha ivyo dukora mu kwitaba umuhamagaro wacu ngo turemeshe ubwami bw'-Imana, ubwami bw'-urukundo, bw'ubutungane n'amahoro.

Nkuko Paulo Mweranda abitubwira, uyo mwizero "ntumaramaza" (Rom 5,5), kuko ujanye n'umuhango Yezu yatwemereye wo kuzogumananatwe hamwe no kutwikorako ngo dusangire na we igikorwa co kuducungura yaje kurangura mu mutima wa zina muntu wese, atibagiye n'ivyaremwe vyose.

Uyo mwizero ushora imizi mw'izuka rya Kristu kuko "ryikwije inguvu z'ubuzima zanyengetereye isi.

***Bigiriwe i Roma, Saint-Jean-de-Latran, Ku wa 21/03/ 2024 Papa Francisko***

# Uruhara rw'amashengero ni ntasubirizwa mu bikorwa vyo kunywanisha abarundi

Umurwi ujejwe gutohoza ukuri no kurekuriranira ku vyabaye mu Burundi (CVR) usaba abarongoye amashengero kuzirikana ko ivyabaye mu Burundi ari agahomeramunwa, baheze baterere mu kumenya ukuri kwimbitse bongere bafashe abarundi gusubiza hamwe no kunywana nka mbere.

Hari mu nama yo kuwa 25 Ntwarante 2024 uwo murwi wakoresheje abaserukira amashengero y'abaporotisanti ahurikiye mw'ishirahamwe rihuza ayo mashengero mu Burundi CNEB.

Clément Noé Ninziza icegera c'umukuru w'umurwi CVR, ari nawe yari arongoye iyo nama, yabanje gucira ku mayange abo barongoye amashengero ku bikorwa CV yaranguye muri iyi myaka iheze.

Yashimikiye cane cane ku binogo bimaze kuboneka, ibisigarira vy'abantu vyazuwe, ibimpapuro n'ibindi bimenyetso vyatowe mu ntara zitandukanye vyemeza ko ubwicanyi bwo mu 1972 bwari bwateguwe kandi ko bwakozwe n'ubutegetsi bw'ico gihe burongowe n'umukuru w'igihugu w'ico gihe.

Igice ca kabiri cerekanye ireresi y'incamake y'ivyo bikorwa vya CVR hamwe n'intahe z'abantu batandukanye, baba abacitse kw'icumu, imiryango y'abuze ababo ntibaronke akaryoko kubaririra no kugandara hamwe n'intahe za bamwe bamwe mu bakoreshejwe ubwo bwicanyi bakiriho.

Uwafashe ijambo ubwa mbere mu bari batumiwe muri iyo nama, yagize ati : « Turavye ivyo muhejeje kutwereka vyaranguwe n'umurwi CVR, turabonye ko igikorwa kitari coroshe namba. Mutweretse ibintu bidasanzwe, bikoranye ubuhinga bwinshi, bifise n'ivyemezo biboneka. »

**Kutabona kumwe kahise k'igihugu ni intambamyi y'intambwe yokurekuriranira**

Abarongoye amashengero ahurikiye mw'ishirahamwe CNEB baranegura ingene abanditse kahise k'uburundi bose banditse birabishako. Ngo ntamwanditsi n'umwe yigeze avugisha ukuri kw'ingene ibintu vyagenze.

Umwe mubari ngaho ati: « usomye igitabu c'umuntu uca wibwira ubwoko bwiwe ubwo nyene. None mwebwe muriko mukora iki ngo mwandike kahise k'Uburundi ataho muhengamiye gashobora gusomwa kumwe n'abantu bose ?

Ikindi kibazo cagarutse kenshi ni ikijanye n'ivyibutso bivugwa mw'itegeko rigena CVR. Bati: « Ivyo vyibutso bizotegurwa gute ku buryo bose bavyiyumvamwo ko hari ahigeze kwubakwa icibutso bamwe bakandika bati: ntibigasubire, bukeye bakaza basanga abandi banditseko bati: havugwa uwo bubezwe?»

Kuri ivyo bibazo hamwe n'ibindi vyinshi nkoramutima, Clément Noé Ninziza yarahumurije abari bitavye iyo nama. Ku bijanye na kahise kanywanisha kandi gasomwa kumwe, yavuzeko intango ari uko kwerekana ukuri badahengamye.

Ati: «Twebwe mu murwi CVR turimwo ubwoko bwose. Ariko ivyo turiko turabona vyabaye muri kahise ntikibuzako tubibona kumwe. Abahutu n'Abatutsi bakora muri uyu murwi, twese turiko tubona ibintu kumwe kuko ukuri ni kumwe. N'abandi barundi rero bamaze kumenya ukuri ku vyabaye ntakizobuza ivyo bazokwandika nka kahise bavyandika kumwe kuko bazoba bafise ukuri kumwe.

Ku kijanye n'ivyibutso, Clément Noé avuga ko itegeko rigena umurwi rikawuha ububasha n'intumbero y'ibikorwa ujejwe ryategekanije n'ingene ivyo vyibutso bizojaho. Ngo ntawohagarika umutima rero, iyo ntambwe niyashika, hazokwubakwa ivyibutso bihurizwako n'imirwi yose y'ababa mu burundi.

Mu gihe bamwe mu bari baje muri iyo nama hari abaserukiye amashengero yahuye n'ingorane muri kahise kubera ubwicanyi bwabaye mu Burundi, basaba ko umurwi CVR wokwiyumvira n'ingene amashengero atandukanye yosubizwa ivyayo, ahandi naho agashumbushwa.

Abarongoye ayo mashengero nyene, baremeza ko agatima k'urwanko n'amacakubiri afatiye ku moko atawundi n'umwe ashobora kukarandurana n'imizi atari uwamanitswe ku musalaba, uwo nawe ngo nawundi ni Yezu Kristu. Ivyo CVR iriko irakora vyose rero, ngo ntibokwgera bibagira na rimwe ko ayo mashengero afise uruhara rudasanzwe mu kwigisha abantu gusubiza hamwe no kurekuriranira bifatiye kw'ijambo ry'Imana.

Tubamenyeshe ko gushika ubu hamaze gutorwa ibinogo rusangiye 221 vyahambwemwo abantu ikivunga, hamwe n'ibisigarira vy'abantu 22 867 vyatowe muri ivyo binogo. Hejuru y'abo, ngo hari n'abandi bantu isinzi batawe mu nzuzi, abandi basangukira ku gahinga ibikoko birabarya, abandi nabo amagufa yabo yarabaye ibunywenywe kuburyo badashobora guharurika.

Ivyabaye muri kahise k'Uburundi ni agahomeramunwa. Abakozi b'Imana basenga basaba ko Imana yorinda Uburundi n'Abarundi ku buryo ako kabi kabishe katokongera na rimwe kugaruka mu gihugu c'Uburundi.

*Mélance Ndayikeze*

# Amatara n'amazi bigiye kuboneka ku banyagisagara ca Bujumbura

Nk'uko bivugwa na Felix NGENDABANYIKWA



Foto: Chanel HARINGANJI

avugira ubushikiranganji bw'amasoko ntanganguvu ubutare n'agataka, avuga ko bafatiye ku biharuro bafise vy'umuyagankuba bingana na mega wate zigera kw'i 107, agafatitira no kubindi biharuro vy'umuyagankuba ugiye gutangwa n'ingomero nshasha arizo Rusumo na Kaburantwa 16 zikiriko zirapimwa vuba zigiye gutangura gutanga umuyagankuba.

Urugomero rwa Rusumo ruzotanga mega wate 27, mugihe urugomero rwa Kaburantwa narwo ruzotanga mega wate zigera kuri 20.

Ku bijanye n'icikagurika ry'amatara rikunda kwibonekeza mu gisagara ca Bujumbura mbere no mu bindi bisagara, uwo muvugizi avuga ko riva kuri iryo pimwa ry'iyo miyagankuba mishasha iba iriko irinjizwa mumatsinga ya Regideso.

Kugira bakinge impanuka ntihabe amasanganya aturutse kuri ivyo bikorwa, baca babanza guca ayo matara.

Izo ngomero za Rusumo na Kaburantwa 16 ziri mwipimwa ry'amazi 3, ariko Rusumo ikaba imaze amezi 2 isigaje ukwezi kumwe, mu kwezi kwa 5 niho izokugururwa icese ice itangura gukoreshwa.

Kaburantwa 16 ikazoca ikurikira, munyuma naho umucanwa uzotangwa n'urugomero rwa Jiji-Murembwe uzoce uza guasahiriza. Umuvugizi w'ubwo bushikiranganji akavuga ko uwo mucanwa niwakorakorana atakibazo c'icika ry'amatara rizobira kwibonekeza. Aboneraho guhimiriza abasanzwe bakora ubuzi bukoreshwa ayo matara kwisuganya kugira batangure gukora biteze imbere bateze imbere n'igihugu.

Kubijanye n'amazi, a-vuga ko ukubura kw'a-mazi mu gisagara ca Bujumbura biva kugusaza kw'imiringoti itwara ayo mazi kuko ari iyakera cane ku babirigi. Akavuga ko hari ayandi masoko y'amazi ari mumisozi ihanamiye igisagara ca Bujumbura bagiye gutunganya vuba asahiriza ayahahora.

Ayo masoko nayo akaba ari mu makomine ya Matyazo, Isare, Mubimbi na Mutambu, ibikorwa vyo gutunganya uwo muhora bikazotwara ukwezi kumwe kugira amazi azobe yamaze gushika mu gisagra ca Bujumbura kuko bimwe mu bikoresho bitari bike bisabwa vyamaze gushika.

Hari kandi n'amazi ya Tanganyika bagomba guhingura mu ruhande rwa Nyabugete.

Ivyo vyose bikaba biriko birakorwa mu ntumbero yo gutorera umuti ikibazo c'amazi mu gisagara ca Bujumbura.

Izo zikaba ari zimwe mu nyishu zatanzwe mu kiganiro c'abavugizi b'inzego za Leta cabereye mu ntara ya Karusi ku wa 29 Ntwarante 2024.

Ku kibazo kijanye n'isukari gihanze abanyagihugu batari bake, NIYUKURI Onesime avugira ubushikiranganji bw'ubudandaji gutwara abantu n'ibintu amahinguriro n'ingezi, avuga ko ihinguriro SOSUMO



Foto: Chanel HARINGANJI

riri mu mugambi wo kwiyunga n'ishirahamwe SALAYI Group ryo mu gihugu c'Ubuganda kugira ibikorwa vyo kurima ibikaju hamwe no guhingura isukari bigende neza.

Ibikorwa nyezina rero hagiti y'ayo mashirahamwe 2 bikazotangura ku wa 18 Ndamukiza 2024.

Ivyo biri uko mu gihe isukari yarisanzwe ihabwa abajejwe intwaro ngo bayitange ku banyagihugu, ariko bikavugwa ko bamwe muri bo baca baja kuyidandaza ku kiyiko, uwo muvugizi akavuga ko ico kibazo bagiye kugikurikiranira hagufi, agasaba abajejwe intwaro n'umutekano ko aho hantu bohashira inguvu kugira bafashe mu gihe isukari ibonetse tuyisabikanye ku rugero kandi ku giciro cashinzwe na Leta.

Ku kibazo kijanye n'igitoro, hari ishirahamwe ryitwa SOPEBU ryaraye rishizweho mu ntumbero yo kunganira muri ico gisata c'igitoro. Umuvugizi wa Leta Guylaine GATONI, avuga ko iryo shirahamwe ritanga icizere c'umuti urama kuko rizoba rijejwe ku musi ku musi gukurikiranira hagufi ibikorwa vyose bijanye no kurangura igitoro hamwe nokugishikana k'ubutaka bw'Uburundi. Niyo izorondera aho ico gitoro corangurirwa, ikurikirane n'ingene gitangwa mu mastasiyo atandukanye mu banyagihugu.

Iryo shirahamwe rizokurikirana kandi ko amafranga mvamakungu ahabwa amashirahamwe yarasanzwe azana ico



Foto: Chanel HARINGANJI

gitoro mu Burundi akora ico ategerezwa gukora kuko vyibonekeje akatari gake ko ayo mafranga ahora akoreshwa ibindi.

Rizokora ivyigwa kugira ngo ntihagire iyindi ntambamyi yosubira kwibonekeza ku bijanye n'igitoro.

*Chanel HARINGANJI*

# Uburenganzira bwo kudasinzikarizwa ubuzima

Uburenganzira bwo kudasinzikarizwa ubuzima Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kudasinzikarizwa ubuzima naho aba yikekwako icaha.

Ugusinzikaza ubuzima bwa kiremwa muntu ni ugukora ico cose kibabaza umuntu ku mubiri canke kikamutuntuza kandi bigakorwa n'impaka mu ntumbero yo kurondera muri we canke uwundi muntu bafitaniye ubucuti amakuru bakeneye, haba kumwemeza icaha yakoze canke bikeka ko yakoze, kumugira ko iterabwoba canke kurikorera umuntu bafitaniye ubucuti.

Ivyo vyose bigakorwa n'umuntu yishimikije amabanga yahawe n'igihugu nk'uko ingingo ya mbere y'amasezerano mpuzamakungu agwanya ivyo vyose bisinzikaza ubuzima bwa kiremwa muntu.

Ukudasinzikarizwa ubuzima ni uburenganzira ntakorwako budashobora gushingirwa akarimbi no mu gihe igihugu coba kiri mu bihe bidasanzwe bibangamiye ukubaho kwaco.

Uburenganzira bwo kudasinzikarizwa ubuzima butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'Igihugu.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ubwo burenganzira**

Uburenganzira bwo kudasinzikarizwa ubuzima butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye :

- Itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,
- Amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu,
- Amasezerano mpuzamakungu agwanya ivyo vyose bisinzikaza ubuzima bwa kiremwa muntu,
- Amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana
- Hamwe n'amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

*a) Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu*

Nta muntu n'umwe akwiye gusinzikarizwa ubuzima canke gufatwa bunyamaswa. Bitegekanijwe n'ingingo ya 5 ivuga ko ata muntu n'umwe yohahazwa mu buzima bwiwe, yocurwa bufuni na buhoro canke yofatwa bunyamaswa ku buryo bumusinzikariza ubuzima canke bumutesha agaciro runtu.

*b) Mu masezerano mpuzamakungu*

Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu.

Umuntu wese akwiye guhabwa agaciro n'ukudasinzikarizwa ubuzima. Bitegekanywa n'ingingo y'7 ivuga ko ata muntu n'umwe yohahazwa mu buzima bwiwe, yocurwa bufuni na buhoro canke yofatwa bunyamaswa ku buryo bumusinzikaza canke bumutesha agaciro runtu.

*c) Mu masezerano mpuzamakungu arwanya ivyo vyose bisinzikaza ubuzima bwa kiremwa muntu.*

Ibihugu bitegerezwa gufata ingingo zose zikenewe kugira ntihagire umwenegihugu n'umwe asinzikarizwa ubuzima.

Tubisanga mu ngingo ya 2 ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano vyiyemeza gufata ingingo zose zikenewe haba mu gisata gishinga amategeko, mu gisata c'intwaro, c'ubutungane kugira ngo ntihagire ibikorwa bisinzikaza ubuzima bwa kiremwa muntu bikorerwa ku butaka bwavyo.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko ata kintu na kimwe gishobora gutuma isinzikazwa ry'ubuzima bwa kiremwa muntu naho igihugu coba kiri mu ntambara.

Agace ka gatatu na ko kavuga ko ata muntu n'umnwe arekuriwe gusinzikaza ubuzima bw'umuntu yisunze itegeko yahawe n'uwumutwara.

Ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano bitegerezwa guhana gusinzikaza ubuzima bwa kiremwa muntu mu bitabu mpanavyaha yavyo.

Bitegekanijwe n'ingingo ya 4 ivuga ko ibihugu vyose vyashize umukono kuri aya masezerano bitegerezwa kuraba ko ibikorwa vyose bifatwa nkibisinzikaza ubuzima bwa kiremwa muntu bihanwa n'ibitabu vy'amategeko mpanavyaha vyavyo kandi bigahanishwa ibihano ruhasha hisunzwe urugero rw'icaha cakozwe.

Mu ntumbero yo kurwanya isinzikazwa ry'ubuzima bwa kiremwa muntu igihugu gitegerezwa gutegekanya inyigisho zerekeye kurwanywa isinzikazwa ry'ubuzima bwa kiremwa muntu mu nzego zose z'igihugu.

Tubisanga mu ngingo y'10 ivuga ko igihugu cose cashize umukono kuri aya masezerano gite-gerezwa kuraba ko inyigisho zigwanya isinzikazwa ry'ubuzima bwa kiremwa muntu ziri mu nyigisho zitegekanirijwe abakozi ba Reta, abakozi bakora mu gisata c'amagara y'abantu, abo mu gisata c'umutekano n'abandi bose bakora akazi ko gucunga abantu bahagaritswe, abapfunzwe mu buryo ubwo ari bwo bwose canke abajejwe gukora amatohoza.

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bwo kudasinzikarizwa ubuzima

(Bitangurira ku rup.10)

*d) Mu masezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana*

Nta mwana n'umwe akwiye gusinzikarizwa ubuzima. Tubisanga mu ngingo ya 37 mu gace kayo ka mbere, ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri ayo masezerano bitegerezwa gucungera ko ata mwana n'umwe yosinzikarizwa ubuzima canke yofatwa bunyamaswa.

*e) Mu masezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu*

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kudasinzikarizwa ubuzima haba ku mubiri canke ku mutima.

Bitegekanijwe n'ingingo ya 5 ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kwubahirizwa mu gateka karanga zina kiremwa muntu kandi ubuntu bwiwe bukubahirizwa n'amategeko.

Uburyo ubwo ari bwo bwose buhonyanga agateka ka muntu, nk'ukugirwa umuja, gusinzikarizwa ubuzima ku mubiri, mu kumutuntuza hamwe n'ayandi mabi yose artyoza ubuntu birabujijwe.

Nk'uko duhejeje kubibona, amategeko mpuzamakungu atandukanye arategekanya uburenganzira bwo kudasinzikarizwa ubuzima ku muntu uwo ariwe wese. N'amategeko y'igihugu c'Uburundi ni uko nyene.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya ubwo burenganzira**

Mu mategeko y'igihugu c'Uburundi, tuza kwisunga Ibwirizwa Shingiro, itegeko rigenga amabohero mu Burundi hamwe n'igitabu c'amategeko mpanavyaha.

*a) Mw'Ibwirizwa Shingiro*

Ingingo ya 19 irinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu bwashize ko umukono harimwo itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu, amasezerano mpuzamakungu agwanya ivyo vyose bisinzikaza ubuzima bwa kiremwa muntu, amasezerano yerekeye agateka k'abana hamwe n'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kudasinzikarizwa ubuzima ku mubiri canke mu mutwe. Bitegekanijwe n'ingingo ya 25 y'Ibwirizwa Shingiro ivuga iti: "Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kwishira no kwizana mu buzima bwiwe nko kudasinzikarizwa amagara ku mubiri canke mu mutwe kandi akagira uburenganzira bwo kuja iyo ashaka. Nta muntu n'umwe ashobora gusinzikarizwa ubuzima, ngo afatwe nk'inyamaswa canke akurweko agateka".

*b) Mw'itegeko rigenga amabohero mu Burundi*

Umuntu naho aba apfunzwe kubera yikekwa ko icaha canke camwagiriye aguma afise uburenganzira bwo kudasinzikarizwa ubuzima. Bitegekanijwe n'ingingo ya 3 aho ivuga ko abantu bapfunzwe bategerezwa gufatwa runtu mu buryo bw'ubahiriza agateka ka zina muntu kandi bategerezwa gukingirwa gusinzikarizwa ubuzima n'ivyo vyose vyobatesha agaciro runtu.

Nk'uko twabonye ko uburenganzira bwo kudasinzikarizwa ubuzima butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu c'Uburundi, uwutabwubahirije arahanwa nk'uko bitegekanijwe n'igitabu c'amategeko mpanavyaha.

*c)Mu gitabu c'amategeko mpanavyaha c'Uburundi*

Ingingo ya 209 ivuga ko uwagiriwe n'icaha co gusinzikaza ubuzima bwa kiremwa muntu ahanishwa umunyororo ungana n'imyaka mirongo ibiri iyo uwakorewe icaha yandurukiyeho aba ikimuga.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko uwagiriwe n'icaha ahanishwa umunyororo wo gupfungwa ubuzima bwose iyo uwasinzikarijwe ubuzima yaciye apfa.

Kudasinzikarizwa ubuzima ni uburenganzira budashobora gushingirwa akarimbi. Bitegekanijwe n'ingingo ya 210 aho ivuga ko naho igihugu coba kiri mu bihe vy'intambara, mu bihe bidasanzwe, nta kintu na kimwe gishobora kwemerwa ko umuntu asinzikarizwa ubuzima canke ibindi bihano bitesha agaciro runtu.

Mu ntumbero yo guhasha icaha co gusinzikaza ubuzima bwa kiremwa muntu, ingingo ya 211 ivuga ko ibihano bihabwa uwagiriwe n'iki caha bitagabanywa. Uwagiriwe n'ugusinzikaza ubuzima bw'umuntu ashobora gukurwa mu kazi mu gihe yabikoze yishimikije amabanga ajejwe.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kudasinzikarizwa ubuzima naho aba apfunzwe kubera yikekwa ko icaha canke camwagiriye aguma afise ubwo burenganzira.

Twabonye kandi ko ukudasinzikarizwa ubuzima ari uburenganzira ntakorwako naho igihugu coba kiri mu kaga canke mu bihe bigoye vy'intambara, nta mvo n'imwe yemerwa kugira umuntu asinzikarizwe ubuzima.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Itangazo ry'Inama isanzwe y'Abungere b'Ekleziya y'Uburundi n'Urwanda yabereye i Bujumbura

(Bitangurira ku rup.5

III. Guhanahana ivyiyumviro ku bijanye n'ivyamwa vy'inama igira cumu na gatandatu y'Abepisikopi bo kw'isi yose yabereye i Roma n'ico ama Ekleziya y'Urwanda n'-Uburundi azoterera mu nama y'Abepisikopi izoba mu kwezi gitugutu 2024 i Roma.

9. Bamaze guhanahana ivyiyumviro vyavuye mu nama ya mbere y'ikoraniro risanzwe ry'Abepisikopi ryabereye I Roma kuva ku wa 30 Nyakanga 2023 gushika ku wa 29 Gitugutu 2023, Abepisikopi barashimye uburyo ivyo biganiro vyagenze bamurikiwe na Mutima rigatanga ivyamwa muri Ekleziya Yose no muma Ekleziya barongoye.

Agacere karangwa n'igisabisho, ukwumvirizanya, ikiyago kizira ubwiyorobetsi n'umwimenyerezo wo gushishoza vyabashikanyo ku cegeranyo c'ukuri kizobandanya mu nama izokurikira muri Gitugutu 2024.

Muri Ekleziya y'Urwanda n'Uburindi Abepiskopi bafashijwe n'icegeranyo c'inama iheruka kuba, bariko bariga bimwe bikomeye bimwebimwe muvyo bashitseko mu nama ya mbere mu ntu-mbero yo gutomora intumbero yokurikizwa n'ivyokorwa vyofasha kugira Ekleziya ibe iyitambukira hamwe.

10. Muri Ekleziya y'Uburundi co kimwe n'Urwanda ingendo yo gutambukira hamwe yagize ivyamwa vyo gutsimbataza ihinduka ry'ubutumwa bushira imbere kuruta iteka rya muntu n'uruhara rw'ababatijwe mu butumwa bwa Ekleziya. Vyarafashije kandi Abungere mu kubaha umutima w'ukumviriza no kubaza imirwi yose y'abakristu bafise uruhara rudasanzwe mu butumwa bw'Ekleziya.

Vyongeye vyarakabuye abarangura butumwa mu gukora bidasanzwe begereye abakristu. Hambavu y'ivyo vyamwa, Abepisikopi barabonye ingorane n'itambamyi ku bijanye no gutambukira hamwe: biyemeje kuzobishimikirako mu nama izokurikira kugira babitorere inyishu.

Iv. Ingene bohimbaza umwaka wa yubile w'i 2025 muri Ekleziya Gatolika n'ingene bobaho nk'ingezi z'umwizero muri ibi bihugu bihurikiye muri "ACOREB"

11. Ekleziya yo kwisi yose izohimbaza yubile y'Imyaka 2025 y'Ucungurwa kwacu ku civugo« Ba mukera rugendo b'umwizero», mu Rwanda naho iyo yubile ihuriranye n'imyaka 125 bamenyeshejwe inkuru nziza, ku civugo «Guhanga amaso Yezu Kristu , Soko ry'umwizero, umuvukano n'amahoro».

Mu ntumbero yo kwinjiza abakristu muri izo Yubire zibiri, Abesikopi bo mu Rwanda baratangaje ikete ry'ubutumwa ryasomewe abakristu ku munsi w'Imana wa mbere w'ubushikiro bwa Noheri ku wa 3 Kigarama 2023.

Ukugurura umwaka wa Yubire wabaye ku wa 10 Ruhuhuma 2024 I Kabgayi, ugusozera kukaba gutegekanijwe i Kigali ku wa 6 Kigarama 2025, inyuma yuko amadiyoseze yose azoba yawumimbaje mu guha abakristu ishusho ngirakamaro mu butumwa bw'Ekleziya bukurikira: Ibatisimu, Ukaristiya, Ubusaseredoti, Ubuzima bwihevyi, Ubutumwa bw'ingo n'abalayiki, Ubw'urwaruka n'abana. Hanyuma mu gusozera Diyoseze yose izokugurura n'imiburiburi umuryango mweranda w'ikigongwe.

12. Mu Burundi inama y'Abepisikopi Katolika yaramaze gushinga umurwi wo gushikiriza ibikorwa n'intumbero izokugurura iyo Yubire y'Ekleziya yose.

V. Utuntu n'utundi.

13. Abagize Ishirahamwe ACOREB baramenyeshejwe na Nyenicubahiro Musenyeri Vincent HARORIMANA Umwungere wa Diyoseze Ruhengeri akaba n'icegera c'uwurongoye ACEAC ivyavuye mu nama ya SCEAM yabereye i Accra kuva ku 5-8 Ntwarante 2024. Inyuma yiyo nama yabagize urwego mpanuzwajambo yabaye ku wa 8-10 Ntwarante, ishirahamwe SCEAM bari kumwe kandi bafashijwe n'Igisata ca Papa kijejwe iterambere ry'uzuye rya kiremwa muntu n'amashirahamwe bafashanya ryaratunganije inyigisho ku bijanye n'ikoreshwa nabi ubutare kama bwo muri Afrika.

Basanze ibihugu bitunze ubutare arivyo bikenye kw'isi kandi vyama mu ntambara zidahera. Ekleziya Katolika yo muri Afrika yipfuza ko amasoko y'ubutare bwofasha mw'iterambere muvy'ubutunzi n'ukubaho neza kw'abenegihugu.

14. Abungere bakuru n'Abepisikopi bahurikiye muri ACOREB, barahimbawe n'utwigoro Abepisikopi bakoresheje mu kugira amanama y'amashirahamwe y'amanama y'Abepisikopi Katolika naho imigenderanire hagati y'ivyo bihugu itari myiza, bigatuma imbibe z'ivyo bihugu zugarwa.

Barangije bakengurukira Nyenicubahiro Musenyeri Gerevazi Umwungere mukuru wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura ku nzimano yabahaye. Barakengurukiye kandi bimwe bivuye ku mutima Inama y'Abepisikopi Katolika y'uburundi yabikiriye mu kigo «Oasis de Paix et de la Réconciliation»

*Bigiriwe i Bujumbura ku wa 21 Mars 2024.*

**M S V Marie Goreth Ndikumana**